Kirundi - Topic 2
Finding a place to rent

Kirundi - Igice ca 2
Kurondera ahantu ho kuba

None ni hehe uzoba? Ushaka inzu ifatanye n'izindi canke inzu yigenga?

Kuronka aha kuba birashobora gutwara umwanya.

Icambere, reba neza uko ukoresha amahera kugira umenye inzu woshobora kuriha.

Amahera yo kuriha inzu aratandukanye bivanye n'ibintu vyinshi.

- Niba ari inzu ifise mu kigo?
- Inzu ifise ivyumba bifatanye n'ivyabandi?
- Ivyumba vyo kuraramwo ifise?
- Niba iri hafi y'amabasi hamwe n'amatereni

Baza kuri Centrelink niba ufise uburenganzira bwo gusaba amahera yo kugufashwa kuriha inzu.

Tangura urabire mu binyabakuru ku rutonde ry'inzu zikoteshwa, kuri interenete canke aho bamanika amatangazo.

Rabira kandi ku mashirahamwe atanga amazu yo gukotesha.

Bene amazu benshi bifashisha ayo mashirahamwe mu gukotesha amazu yabo.

Ubonye inzu woshobora kuriha, hamagara ishirahamwe mugihe ushobora kuja raba iyo nzu.

Ubonye inzu wipfuza, baza ishirahamwe impapuro zo gusaba inzu yo gukotesha, uzuzuze hanyuma uce uzibasubiza.

Gutanga impapuro zo gusaba inzu ntibisigura ko uca uronka iyo nzu. Rimwe na rimwe birafasha iyo usavye inzu zirenze imwe.

Ntukageragеze kuriha amahera menshi ngo ni ukubera wakunze aho hantu. Kuriha amahera menshi asumba ayo ushobora kuronka birashobora kugushira mu ngorane mu gihe wamaze kuhimukira.

Ikete rikuvugira neza ry'aho wahora ukotesha inzu canke abagenzi bawe birafasha cane.

Amashirahamwe arashobora kugusaba vyangobwa nka:

- urupapuro rukwemerera gutwara umuguga (peremi)
- impapuro uhemberwako ku kazi
- impapuro zerekana amahera ufise zo kuri Bank no kuri Centrelink
- aho urihira gaze, umuyagankuba hamwe na telefone
- ikarata ukurishamwo amahera hamwe n'amakarata usabirako amahera

Ishirahamwe rica rihitamwo abasavye baza ubwambere hanyuma bagaca babirungikira nyene inzu.

Nyene inzu ahitamwo uwo aha inzu bivanye n'ibiri ku mpapuro zo gusaba hamwe n'ivyangombwa yatanze.

Amashirahamwe akotesha amazu akorera bene amazu mu:

- kubaronderera abantu bafata amazu neza
- kwegeranya amahera babariha mu gukotesha
- mu kurondera abakora amazi n'umuyagankuba mu gihe bitariko birakora.

Kuba urihira ku mwanya hamwe no kuba ufata neza inzu ni ibintu vyiza amashirahamwe akotsha amazu yishimira kumenya ku wukodesha inzu.

Wibuke, urashobora kuzokotesha amazu menshi muri kazoza. Mugihe ufata neza amazu kandi ukaba urihira ku mwanya, ishirahamwe rirashobora kukuvugira neza mugihe wimutse.

Bukaba ari ubwa mbere ukotesheje inzu urashobora gusaba kugira bagufashe mu mashirahamwe afasha imiryango nk'amahuriro bafasha abimukira.

Ukaba ukeneye izindi nsiguro ku burenganzira n'ivyo utegerezwa, reba ku murongo wa interenete wa Fair Trading kuri www.fairtrading.nsw.gov.au canke uhamagare kuri 13 32 20.

Ukaba ukeneye umusiguzi, hamagara kuri 13 14 50.